# ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI ‘’ITEKA‘’

*Ryemejwe n’itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991*

## *ICEGERANYO C’UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y’AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI MU KWEZI KWA NZERO 2026*







Uwo uri wese ubahirizwa

*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w’ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 31 Nzero 2026, abantu bashika 852 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n’imiburiburi 86 barasubiye kuboneka abandi768ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w’igikorwa c’ishirahamwe ry’ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y’uBurundi n’imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].*

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w’ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n’agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n’urunani mpuzamakungu rw’amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y’umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54


RWANDA
BUJUMBURA
BUTANYERERA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
TANGANYIKA
DRC
BURUNGA
TANZANIA
N
E
S
W

## *URUTONDE RW'IBIRIMWWO*


*I. INCAMAKE Y'ICEGERANYO ____ 4*

*II. IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU ____ 6*

*II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ____ 6*

*II.1.1UBURENGANZIRA KU BUZIMA ____ 6*

*II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUYE ____ 6*

*II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE CANKE ABABUZWE IRENGERO ____ 8*

*II.1.1.3. UBURENGANZIRA BWO KWITWARARIKANA ____ 9*

*II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA, UGUPFUNGWA HAMWE N'UGUFATWA BU-NYAMASWA CANKE AYANDI MABI ____ 9*

*II.1.1.3.2.AMABI AFATIYEKU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU ____ 10*

*II.2.UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA ____ 11*

*II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI ____ 12*

*II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO ____ 12*

*II.2.2. UBURENGANZIRA KU MAGARA ____ 13*

*II. 3. UBURENGANZIRA KU MIGWI ____ 14*

*II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA ____ 14*

*III. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA ____ 15*

## *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***AGNU*** | *: Inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe* |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro* |
| ***CNDD-FDD*** | *: Inama y'igihugu iharanira demokarasi-urunani rukingira demokarasi* |
| ***CNL*** | *: Ikoraniro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo* |
| ***CNIDH*** | *: Umugwi wigenga w'igihugu ujejwe agateka ka zina muntu* |
| ***CEEAC*** | *: Ishirahamwe ry'ubutunzi ry'ibihugu vyo muri Afirika yo hagati* |
| ***DESC*** | *: Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama* |
| ***FRODEBU*** | *: Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi* |
| ***FDLR*** | *: Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza uRwanda* |
| ***OBPE*** | *: Ishirahamwe rijejwe ibidukikije mu Burundi* |
| ***OPJ*** | *: Inyamiramabi* |
| ***ONU*** | *: Ishirahamwe ry'ibihugu vyiyunze* |
| ***PNB*** | *: Igipolisi c'igihugu mu Burundi* |
| ***RDC*** | *: Repubulika iharanira demokarasi ya Kongo* |
| ***UPRONA*** | *: Urunani rw'iterambere ry'igihugu* |
| ***VSBGs*** | *: Amabi afatiye ku gitsina* |
| ***SNR*** | *: Igendereza ry'igihugu* |
| ***TGI*** | *: Sentare nkuru* |

# *I. INTANGAMARARA Y'ICEGERANYO*

Ico cegeranyo c'ukwezi kwa nzero 2026 kigizwe n'uruvange rw'ivyegeranyo vy'indwi Iteka n' Ijambo kuva kuri nomero 508gushika kuri nomero 511. Ico cegeranyo cihweza agateka ka zina muntu. Kiragaruka ku burenganzira bw'abantu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku butunzi, imibano n'imico kama co kimwe n'uburenganzira bw'imigwicanecane uburenganzira bw'abana.Ico cegeranyo kirangiza mu mpera n'uguszera hamwe n'ibisabwa.


Gutyo,agateka k'abantu no muri politike muri kino cegeranyo co muri kuno kwezi kaboneka ugukwirikira: abantu 34 barishwe harimwo 20 batowe ibiziga, abantu 2 baborejwe igufa, abantu 2 banyurujwe, abantu 21 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo 20 bafashwe ku nguvu muribo 16 ari abana b'abakobwa.

Mu bagize ivyago harimwo abagore 7, abana 5 hamwe n'abakobwa 20.

Imbonerakure,abapolisi, abo mu ntwaro n'abasirikare hamwe n'abandi bantu batari kure y'abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD baradomwako urutoke nk'abikekwa ko menshi muri ayo mabi ku gateka ka zina muntu n'ubwicanyi.

### *I.1. IKIGARA CEREKANA AMABI AVURWA Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA K'ABANTU NO MURI POLITIKE*

***Igicapo 1: Ikigara cerekana amabi akomeye y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu no muri politike vyibonekeje mu Burundi mu kwezi kwa Nzero 2026***





Ico kigara kiri hejuru cerekana imigwi 5 y'amabi mu ntara 5 zitandukanye z'igihugu harimwo Gitega yagize aho agateka kazina muntu kahonyanzwe gusumba izindi ku ncuro 17 zikwiza abantu 19, hagakwirikira Bujumbura ku ncuro 13 zikwiza abakozweko 18 hagakwirikira Burunga incuro 11 ku bantu 11, hagaca haza Buhumuza ku ncuro 7 abantu 7, hagahereza Butanyerera ku ncuro 4 abantu 4 bakozweko.

Gutyo, muri kuno kwezi kwa Nzero 2026 kwa kino cegeranyo, umuhari Iteka waharuye 59 bakorewe amabi ku gateka k'abantu no muri politike ku butaka bwose bw'igihugu.

Ayo mabi agabuwe ahanini ugukwirikira: abantu 34 bishwe, abantu 2 banyurujwe, abantu 21bakorewe amabi afatiye ku gitsina, abantu 2 baborejwe igufa.

## *I. INTANGAMARARA Y'ICEGERANYO (IBIKURIKIRA)*

***Igicapo 2: Igicapo cerekana ahanini abikekwa ko amabi y'ihohoterwa ry'agateka k'abantu no muri politike vyabonetse mu Burundi mu kwezi kwa Nzero 2026***




Kubw'igicapo, kumabi yose yatororokanijwe muri iki kiringo c'ukwezi kwa Nzero 2026, ivyakozwe n'abantu batamenyekanye ari ku rugero rwo hejuru ku ncuro 18, hagakurikira Imbonerakure ku ncuro 12, hanyuma umugwi « abandi » nko mu bigenga harimwo abadandaza, amabi yo mungo harimwo amabi afatiye ku gitsina ku ncuro 10, incuro 3 zagirizwa igipolisi, i ncuro 2 abasirikare, abo mu ntwaro ku ncuro 2, incuro1 ku kwihanira. Twomenyako muri ayo mabi harimwo incuro 4 hishwe abana, incuro zine zo kwihorahorana.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *II. AMAHOHOTERWA Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU*


### *II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike (1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9 Rusama 1990, icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro, uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018 (Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

### *II.1.1 UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

#### *II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUYE*

Mu kiringo ca kino cegeranyo,kuri bose abantu 34 nibo baharuwe n'ishirahamwe Iteka bahitanywe n'ubwicanyi buteguye ku butaka bwose bw'uBurundi, muri abo 27 ni abagabo hamwe n'abagore 7. Intara zakozweko cane zikurikwirana uku: Gitega ku bantu 12, Bujumbura ku bantu 10 na Buhumuza kubantu 6. Butanyerera na Burunga zirakwirikira kubantu 3 imwe imwe. Twomenyesha ko muri abo bishwe harimwo abana 5.




***Uburorero buvyerekana:***

**Ak1:** Kuwa 6 Nzero 2026, uwitwa Hamissi azwi ku ritazirano rya Mangue, umusore w' Imbonerakure yarapfuye akubiswe akongera agakomeretswa n'abapolisi bo muri komisariya y'intara ya Ruyigi.

Mu ntango, Hamissi yari yarahagaritswe ahanini yagirizwa uruyeri hamwe n'ukwiyitirira umukono. Kuwa 23 Kigarama2025, Hamisi yaragiye kwa Mathieu umwe mu bagwizatunga badandaza isima bo ku murwa mukuru w'intara ya Ruyigi aca amwereka urwandiko ruvuga ko umushingantahe Nkurunziza Fiacre na Nkurunziza Valery uko bakwirikirana umunyamabanga w'umugambwe CNDD-FDD muri komine Ruyigi n'uwujejwe iterambere mu biro kwa buramatari mu ntara ya Buhumuza bashaka isima.Urwandiko rwari rufise kandi imikono y'abantu 2 kandi uwo wanyuma yamuhaye imifuko 50 y'isima. Haciye imisi,umudandaza yarasavye kurihwa isima yiwe n'abo 2 bavuzwe hejuru nabo bishura ko atanakimwe babiziko.

Umushingantahe Fiacre NKUNZIMANA yatanze itegeko ku rwaruka rw' Imbonerakure ryo

***II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUYE(Ibikurikira ivyo kurupapuro 7)***

kurondera Mangue no kumuhagarika. Mangue yarahagaritswe arajanwa mw'ibohero rya komisariya y'intara ya Ruyigi ariko yaguma asaba naho biri uko ko yorekurwa.

« *Nsaba ukurekurwa , ni Fiacre yampaye itegeko* », aravuga.

Kubwa Fiacre,yasavye abapolisi bacunga ibohero gukosora Mangue arinaho Hamisi yakubitwa n'abapolisi hari Nkunzimana Fiacre na komiseri w'igipolisi mu ntara ya Ruyigi Nizigiyimana Jean Gentil gushika aho ata ubwenge.


**Ak2:** *Umugore yitwa Manirakiza Odrinne,avuka ku mutumba Masama,zone Masama muri komine ya Shombo,intara ya Gitega, yarakubaguwe cane yongera araraswa n'intwazangabo lieutenant Innocent Bigirimana mu gitondo co ku musi wa kabiri igenekerezo rya 27 Nzero 2026.*

*Kubwo amakuru twakuye mu babanyi b'uwishwe,mu karere ,uwikekwako icaha ari mu karuhuko yarashwanye n'umugore akiri muto kuvyerekeye amatati y'itongo hanyuma uwo yikekwa ko icaha yarasokoroye inkoho yiwe yo mu bwoko bwa pistolet aca aramurasa.Ayo makuru aremezwa n'umukuru w'umutumba Masama Joachim BARARWAMANYE, kandi amenyesha ko uwo yarashwe yari afitaniye ubucuti n'iyo ntwazangabo.Abantu 2 barikekwa kuba bari muri ubwo bwicanyi,harimwo uwo musirikare ari mu muryango y'uwishwe.Bose baciye bafatwa kumvo z'amatohoza. Uwishwe asize kungoyi abahungu babiri .*

***II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO***

*Ibwirizwa shingiro ry'u Burundi mu gace karyo ka 38, rirarekurira umuntu wese,gutunganirizwa co kimwe n'abandi kandi akumvirizwa kandi agaciribwa urubanza mu gihe gitegekanijwe.*

Ishirahamwe Iteka ryaharuye abantu 2 banyurujwe bose b'abagabo mu ntara ya Bujumbura na Buhumuza uko zikwiririkirana umwe umwe ku ntara.



***II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO(Ibikurikira ivyo ku rupapuro8)***

***Uburorero 2 bwatohojwe :***

***Ak1:*** Kuva kuwa 1 Nzero 2026, ku mutumba na zone Murama, komine Muyinga, intara Buhumuza, Rukundorwimana Egide, umuhungu wa Nikonarusanze Fabien na Ngendamubansi Marie, umugabo wa Kabagabire Emelyne avuka ku mutumba Mugongo Zone Kamara muri komine Butihinda, yarabuzwe irengero.

Kubwo ivyabona vyaho,kuri uwo musi,uwo yarahamagaye umugore wiwe amubarira ko abangamiwe amusaba amahera angana 20.000F kuri nomero ya Lumicash 69278819 ya Hatungimana Vincent, Imbonerakure yo ku mutumba Ryabihira, Zone Murama,komine Muyinga intara ya Buhumuza kugira amugombore.

Umuryango w'uwabuzwe irengero waratabaje umukuru wa zone Murama yabikwirikiranye hamwe no muguhamagara iyo mbonerakure yishuye ko bari kumwe kandi atangorane n'imwe ihari. Kuva ico gihe, ntiyagarutse kandi umuryango wa Egide Rukundorwimana nta n'ikiyambu ciwe.Usaba igipolisi guhagarika iyo mbonerakure, ubu itembera ataco yinona bongere bamutware mu butungane kugira yishure kuri iryo burwa irengero.

***Ak2:*** Umunyagihugu azwi kw'izina rya GAHUNGU Thadée yarabuzwe irengero kuva kuwa 16/01/2026. Uwo munyagihugu ni uwahoze ari umusirikare mu gisirikare ca kera(EX-FAB).Yaba muri zone Musaga, komine Mugere kandi yakorera ishirahamwe Garda World Security, ricunga umutekano w'abanu n'ibintu,riri iruhande y'aho bita Jardin Public, muri komine Mukaza, intara ya Bujumbura.


Kuri uwo musi,yarahejeje akazi kiwe aca arasubira muhira,ariko ntiyigeze ashika.Umuryango wiwe hamwe n'abo basangiye akazi bafise amakenga menshi ku mutekano wiwe.

***II.1.2. UBURENGANZIRA BWO KUBAHANA MURI VYOSE***

Ibwirizwa shingiro ry'uBurundi mu gace karyo ka 21 rivuga ko "Nta n'umwe wo gukubagurwa,gupfungwa canke gufatwa bunyamaswa".Kuri ivyo hiyongera ko itegeko n°1/04 ryo kuwa 27 Ruheshi 2016 rivuga ku gukingira abakorewe amabi,ritmora uburenganzira bw'abahuye n'ivyago kandi rigategekanya ingingo zo gukingira ubwisanzure bwabo.Ivyo vyerekana neza igihugu ciyemeje gukingira abanyagihugu mu mpande zose.

***II.1.2.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA HAMWE N'UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI***

Kuri bose,abantu 2 baraborejwe igufa ku butaka bwose bw'igihugu mu kiringo ca kino cegeranyo. Ababorejwe igufa bose baharuwe mu ntara za Bujumbura na Gitega.



***II.1.2. UBURENGANZIRA BWO KUBAHANA MURI VYOSE(Ibikurikira ivyo ku***

***Inkuru 2 yatohojwe:***

**Ak1:** Kuwa 07 Nzero 2026, muri karatiye Jabe, zone Bwiza, komine Mukaza intara ya Bujumbura, Gaston Ntukamazina, yarakubiswe n'umugwi w'abasuma bamuteye mugihe yari atashe muhira. Abo basuma bamenyekanye nk'Imbonerakure muri iyo zone barakomerekeje bongera bonona ijisho ry'i buryo rya Gaston Ntukamazina.


Kubwo ivyabona vyaho,uwitwa Bob w'umukuru w'akagwi k'abasuma bo muri iyo karatiye hamwe n'uwitwa Kevin baramenyekanye mubakubaguye uwo munyagihugu.Uwo mugwi w'abasuma ubangamiye abanyagihugu bo muri karatiye Jabe ushigikiwe n'uwutwara iyo karatiye,azwi kw'izina rya Jean Claude BIZIMANA yugarijwe n'imanza zimukwirikirana. Abo baba kw'iJabe basa ibogozwa rya Jean Claude BIZIMANA umukuru wa karatiye azwi ko yadohotse kwibanga kandi akoresha igikenye mu gutoteza abo atwara.

**Ak2:** Kuwa 10 Nzero 2026, hafi igihe c'isaha 8 zo mu gicugu, ku mutumba Rwingoma, zone Buhiga, komine KARUSI, intara ya Gitega, MINANI MOUSSA, umunywanyi wa CNDD-FDD, ava muri karatiye SHATANYA yo mu gisagara ca Gitega, afise imyaka irenga 40 yarafashwe agomba kwiba mu muhana w'umupfakazi yitwa Monique n' Imbonerakure ziriko zirakizura zirongowe n'uwuzitwara yitwa Eric. Kubwo ivyabona vyaho, Moussa yarakubiswe umubiri wose kandi yaraboshwe mw'izosi n'umugozi aca atwarwa mu ruzi Ndurumu.Uwo yagize ivyago yarashoboye kurokoka aca atorwa n'abasirikare bo kukirindiro co mw'ijoro bacunga umutekano ku rugomero rwo kuri Ndurumu.

Bamubajije karangamuntu,yishuye ko irikumwe n'ibindi vya ngombwa muhira.Umukuru w' Imbonerakure ku rwego rwa zone yarahamagaye uwo bakorana i Gitega, yamwishuye ko uwo mugabo azwi nk'umusuma karuhariwe hanyuma aca ajanwa mu gipolisi co kuri zone aho yaciye apfungirwa.

***II.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU***

Muri iki cegeranyo,Ishirahamwe Iteka yaharuye abantu 21 bakorewe amabi afatiye ku gitsina, harimwo abigeme 16 bafashwe ku nguvu bose bakiri bato ku bw'itegeko ry'Uburundi kubera bari munsi y'imyaka 18. Muri abo bakorewe amabi,harimwo umugabo 1 hamwe n'abagore 20. Intara ya Burunga yarakozweko cane ku bantu8. Intara yaBujumbura et Gitega haharuwe abantu 6 kuri imwe imwe,ubwanyuma, haza intara ya Butanyerera k'umuntu umwe.



***II.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU (Ibikurikira ivyoku rupapuro10)***

***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1:*** *Inkuru yashikiriye ishirahamwe Iteka kuwa 28 Nzero 2026, ivuga ko agakobwa gakora munzu, kafashwe ku nguvu n'umuhungu w'umukoresha wiwe kuwa 16 Ruheshi 2026 muri karatiye Kajaga, komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura. Kubwo amakuru twatororokanijeho, uwo yononywe yitwa J.N, avuka mu ntara ya Kayanza. Yakora kwa Muhizi Christian, afise abana 4, harimwo Muhizi Tresor, afise imyaka 19, yikekwa ko icaha. Yasimbiye kuri uwo mwana mugihe yari muhira wenyene, aramushurashuza, kandi yaragerageje kumunumya. Uwo yafashwe ku nguvu yarashoboye gutabaza ababanyi, baciye babimenyesha abarongozi, hanyuma uwikekwa ko icaha yarahagaritswe kandi ubu apfungiwe mw'ibohero ry'intara ryo mu Kabezi.*

***Ak2:*** Inkuru umuhari Iteka warose, Nivyumwamagize Dieudonne w'imyaka 27 wo ku mutumba Mutambara zone Gatete komine Rumonge intara Burunga mu bumanuko bw'igihugu yarahagaritswe n'igipolisi kuwa 10 Nzero 2015.

Amasoko yo mu gipolisi no mu babanyi b'umuryango avuga ko yaciye ajanwa ubwo nyene mw'ibohero ry'igipolisi ku mugwa mukuru wa komine Rumonge kumusi yafatwa. Anuganugwa ko yafashe ku nguvu umwana w'imyaka 9 yitwa Daphrose Niyogushima wo kw'ishure shingiro Mutambara II yo muri zone Gatete amasaha make imbere yo guhagarikwa. Kubwo isoko ryegereye umuryango w'uwikekwako icaha, uwo muntu avugwa yagiye gutira imbugita mu muhana bahereranye asanga uwo mwana iwabo. Abavyeyi b'uw mwana baramuhaye iyo mbugita, uwo mugabo yasavye uwo mwana kuza kuyitora. Agakobwa karaherekeza uwo mugabo kibaza ko kagiye kuzana imbugita, gashitse muhira k'uwo mugabo, yarakambuye aca agafata ku nguvu. Umugore w'uwo mugabo yarashitse muhira mugihe ako gakobwa kari kakirambitse hasikari gusa.Ayo masoko nyene avuga ko uwo mugore yatabaje abavyeyi b'umwana baje gutabara umwana kugira bamutware mu kigo Humura kiri kuri uwo mutumba kugira avurwe. Uwikekwa ko icaha yarahagaritswe kandi apfungiwe mw'ibohero ry'igipolisi. Amatohoza arabandanya.

***II.2. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI, IMIBANO N'IMICO KAMA***

*Uburenganzira ku butunzi, imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri, buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi, imibano n'imico kama. Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw'ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19. Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi, bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na politike. Ama Reta yabushizeko umukono, harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise.*

### *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

Uburenganzira bw'ubutunzi mu Burundi muri Nzero bwarahungabanijwe n'ibihe bikurikira:iduzwa ry'ibiciro kubera ukugara urubibe rwo mu Gatumba, kubera ifatwa rya UVIRA n'umugwi w'inyeshamba. Abadandaza, baba abo mu burundi canke abo muri Kongo,ibikorwa vyabo vyarahagaze, bituma ibiciro biduga, nk'akarorero igiciro c'igitenge cavuye ku mahera 9 0000fbu kija ku yarenga 200 000fbu. Abadandaza basaba Leta gutora inyishu kugira ngo bafashe imiryango yabo. Isekeza ryo gufumbira imirima y'icayi ryaratangujwe kuwa 23 Kigarama 2025, ariko ingorane zo gutanga iyo fumbire zaribonekeje.

Ifumbire yazanywe mu Rwegura ntiyahawe abarimyi kubera basanze itabereye. Abarimyi b'icayi bararajwe ishinga n'akanovera k'umwavu, bagabisha ko bazobeha kurima icayi kugira bijukire ibiterwa mbumbarugo vyunguka cane.

Muri komine Cibitoke, iyugarwa mfatakibanza ry'urugomero rwo kuvomera ryarateye ingorane ku barimyi b'umuceri, mu gihe kigoye c'irima,bihakwa konona umwimbu n'umubano. Abakozi bo mu ntwaro i Burunga haciye amezi 6 badahembwa, bigatuma haba ubukene bukabije. Abakozi barungitswe barafise ubwoba bwa kazoza kabo, mugihe ingingo ziriko zitegurwa kugira batore umuti kuri izo ngorane.

Abarimyi b'ikawa i Matongo baratabaza kw'ibura ry'ifumbire yo mu bwoko bwa NPK kaciye imyaka 2 kandi baravuga ubusuma buri mw'itangwa ry'imiti y'ibiterwa. Abandi barimyi bagabisha gusubira ku biterwa mbumba rugo. Mu Kirundo, intererano z'agahotoro zigenewe iyubakwa ry'ibiro vy'umugambwe CNDD-FDD zirategekwa, bigatuma haba ishavu kubera itotezwa rikorerwa abanse  kuyatanga.

Mu makomine ya Kirundo na Busoni,ingo zitegerezwa gutanga imfungurwa z'Imbonerakure, n'aho bari mu ngorane zijanye n'amapfa. Umuriro muri zone y'ubudandaji ya Bujumbura warakoze cane ku madandaza 35, uturira ububiko bwabo. Ivyononekaye ni vyinshi cane kandi abashikiwe n'izo ngorane barasaba ubufasha, mugihe abantu basaba amatohoza kuri uyo muriro ukunda kwaduka kandi uteye amakenga.

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*

Muri Nzero, ihungabana ry'indero mu Burundi, ryashize ahabona ukurengera ingingo zo kudakumira hamwe n'uburenganzira bwo kwiga kuri bose.

Kuva kuwa  05 Nzero 2026, umusi w'ugutangura igice ca 2 c'umwaka w'ishure 2025-2026, ivyigwa vyarahungabanye ku mashure  menshi y'intara ya Gitega.

Ivyo vyabaye inyuma y'ingingo y'intwaro itegeka abanyeshure kwambara ibirato bipfunganye ku nguvu.

Kuva umusi wa mbere,amashure menshi barungitse barirukanye abanyeshure batubahirije ingingo,bituma hitaba bake cane mu birase,rimwe na rimwe musi y'ica 3 ca bose bituma ivyigwa bidashobora gutangwa kubwo abigisha.Amajwi yaragiye hejuru avuga ukudahuriza kuri iyo ngingo bafata yiyobagiza ubukene buhari,cane cane mu gihugu hagati.

Abanyeshure n'abigisha barasaba isubirwamwo ry'iyo ngingo mu maguru masha,bakavuga ko bikenewe gukorera ku buryo bw'imiryango kugirango bakinge ukomorwa mu mashure.Ingingo ya buramatari wa Gitega yerekeye umwambaro yaratumye haba agashavu kenshi mu kibano kandi ihakwa guhebesha abanyeshure benshi,ihonyanga gutyo ingingo nshingiro y'indero idakumira. Umusi wo kugurura amashure muri Nzero,abarongozi b'indero iMuramvya barasuzumye neza ko ingingo yakurikijwe mu kwirukana abatubahirije iryo tegeko. Kuwa 9

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO(Ibikurikira ivyo ku rupapuro12)*

Nzero 2026,abanyeshure benshi ntibagarutse nkuko biboneka ku mashure shingiro ya Biganda na Mubarazi, aho abanyeshure benshi basivye kubera batashoboye kugura ibirato.

Iruhande,ubuyobozi bw'indero muri komine ya Kayanza buri mu bukene bukabije,aho ugutangura igice vyononywe no kutagira intebe bicarako.Ibikorwa vyariko birakorwa kugira baharure ibitara vya Leta bishobora kuvamwo intebe,mugihe abanyeshure bagabura ibibanza vyo kwicaramwo,bigatuma badashobora kwiga neza.Ivyo vyari biteye agahinda gushika aho abanyeshure 60%bari barse umwimbu mubi mu gice caheruka guhera.Ku ruhande rwa Burunga,itunganywa ry'umwimbu mu mashure vyakorwa mu cuka kibi,abigisha bo mu mwaka w'9 barwanya bivuye inyuma ingingo nshasha bategekwa n'umuyobozi w'indero mu ntara ,Elias Ndikumana,bafata ko ziciye kubiri n'amategeko.Izo ngingo,aho guteza imbere ukunganisha,zateye umubabaro mu bigisga,bafata ko Ndikumana,ahanini yakoze mu ntwaro,adatahura intambamyi zo kurubuga,

Amakenga aranashika no ku bikorwa vya politike abanyeshure bitaba mw'ijoro i Makamba, aho bategerezwa kuja mu mihango ya politike imiryango yabo itagishijwe inama,bigatera gutyo amakenga n'agashavu mu banyagihugu.Muri make, igisata c'indero i Burunga kiri mu kaga, gasongewe isibe n'uguheba akazi ku bwinshiku bigisha baja kurondera ubuzima bwiza mu mahanga, bigatuma umushikiranganji w'indero yongereza utwigoro mu gihe vyari bisanzwe bigoye. Amakomine yakozweko afise igihengeri giteye agahinda c'abigisha.

### *II.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA*

Uburenganzira ku magara mu Burundi bwarahungabanye muri Nzero 2026 kubera imvo nyinshi. Intara ya Burunga yagize igwiririana ry'imibu biteye ubwoba, kandi inkuru yo kuwa 17 Nzero imenyesha ko abahaba benshi bataronse imisegetera irimwo umuti wica imibu, kirumara mu gukinga marariya. Uko kubura imisegetera bishikana abanyagihugu mu kigeragezo, cane cane mu gihe c'imvura. Iruhande, ukubura imiti ya marariya biratera ingorane mu buvuzi, bigatuma abarwayi bitura ubudandarizo bw'imiti bw'abigenga,naho basanzwe bafise amikoro make.

Abakorera mu gisata c'ubuvuzi baratabaza ku ngorane z'abana n'abakenyezi bibungenze. Ibihuha bw'ubusuma bw'imisegetera ijanwa mu gihugu ca Tanzaniya biratera agashavu abanyagihugu bayibuze, basaba Leta gutanga vyihuta kandi kuri bose imisegetera hamwe no kubegereza imiti kugihe. Abarongozi mu buvuzi baremera ko ama zone atakwiwe n'imisegetera kandi bakiyemeza guhinyanyura itangwa ryayo,mugihe ingwara ya marariya iguma yiyongera ku rwego rw'igihugu.

Kuvyerekeye abapolisi,ishirahamwe Iteka ryararose amakuru kuwa 20 Nzero avuga ko abapolisi batakironswa ubuvuzi mu bitaro bifise ubuhinga haraciye umwaka. Abapolisi, batakigira urupapuro rw'ukwivurizako, bategerezwa gutanga ingwati kugirango bakirwe muri ivyo bitaro. Iryo hinduka, ryamenyeshejwe ku munwa, riratera akababaro kandi abapolisi batobato bagasaba umuco.

Muri ico gihe, ibiro bikuru vy'igisirikare bibandanya bivuza abasirikare.

Ingwara itangaje yafashe abanyeshure barenga 500 i Gatara no mu Kayanza nayo nyene irateye amakenga. Ibimenyetso vy'akamangu nko gushuha, kumeneka umutwe hamwe n'inkorora bidahera. Abarongoye amashure bafashe ingingo zo kwikingira kandi basaba ubufasha bwihuta ku bajejwe amagara y'abantu kugirango bamenye igitera iyo ngwara. Inama zo guhimiriza zarategekanijwe kugira bakinge irandagata, bikibutsa ukunyaruka kwa coronavirus bigaca bitera amakenga hose.

### *II.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA (Ibikurikira ivyo kurupapuro13)*

Mu gusozera, komine  Muyinga ifise ingorane yo gukena amazi meza,cane cane muri karatiye Kibogoye,aho haciye ukwezi kurenga batarose amazi kubera igiturire. Abahaba basaba guhagarika uwo mugenzo w'akarenganyo. Ku rundi ruhande, imiyabaga yo muri komine Mwaro baranka gufata ibinini vy'ivyunyunyu bitangwa n'ubushikiranganji bw'amagara y'abantu,naho hari icigwa cerekana ko hari ikena rikabije ry'iyo miti. Ivyo binini vyatanzwe kuwa 27 Nzero, ariko abakobwa benshi bamera nk'ababimize. Umuyobozi w'ishure ry'imyuga yaragirishije inama kugirango ahamagarire abavyeyi guhimiriza abakobwa babo kugirango babandanye iyo miti imara amezi atatu.

## *II. 3. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI*

### *II.3.1.UBURENGANZIRA BW'ABANA*

Uburenganzira bw'abana burakingiwe muBurundi biciye mu masezerano mpuza makungu avuga ku burenganzira bw'abana (CIDE) yashizweko umukono mu 1990. Igihugu caranashizeho amategeko hamwe na politike yo gukingira abana.

Ariko rero,intambamyi ziracari nyinshi mw'ishirwa mungiro, mu kiringo ca kino cegeranyo co muri Nzero, agateka k'abana karakozweko cane. Iruhande yo gufatwa ku nguvu hamwe n'ayandi mabi yavuzwe aho hejuru yakorewe abana, umuhari Iteka waharuye abana 6 hamwe n'imbanyi 2 zakorowe kubushake bw'ababikora.

## *III. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya ryibonekeza mu mihingo itandukanye y'igihugu.Iki cegeranyo gishira ahabona amabi ajanye no guhonyanga uburenganzira bwo kubaho,bwo kubahana ,hamwe n'ubwo kwidegemvya;uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama.

Kiranagaruka ku burenganzira bw'abantu no muri politike hamwe no ku burenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama kuvyerekeye ihungabana ry'ubwo burenganzira kandi kikerekana umwitwarariko.Umuhari Iteka uriyamiriza ukudahana amabi yibonekeza ukongera ugasaba ibikurikira:

***Kuri Leta y'u Burundi :***

1. Kubahiriza agateka ka zina muntu, cane cane uburenganzira ku buzima,ukwitwararikana muri vyose hamwe n'umwidegemvyo.
2. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe n'uko abakoze amabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bishura ivyo bakoze.
3. Kuronsa ubufasha bw'ibanze,harimwo amazi,ubuvuzi,indero hamwe n'ubutungane ku banyagihugu bose.
4. Gutohoza no guhana bimwe biboneka amabi akorerwa abana bato vyabaye akayoberabahinga mu Burundi abatware barorera.

***Kubafasha muvyo ubuhinga n'uburyo Reta y'uBurundi harimwo NU,UE hamwe n'abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi :***

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira gukingira agateka ka zina muntu mu vyerekeye ugukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha bwabo mukugondoza abarongozi b'uBurundi bubahirize agateka ka zina muntu bongere basezerere ukudahana.

***Uwo uri wese ubahirizwa***